# Amahirwe angana niryo tegeko

Birabujijwe n'amategeko k'uyu muntu ahabwa imfashanyo ya leta akumira bishingiye ku bintu bikurikira: k'umuntu uw'ariwe wese aba muri Leta Zunze Ubumwe za Amerika, hashingiwe ku kabira, ku rukoba, kw'idini, ku gitsina (harimw'ukwibungenga, ukwibaruka umwana n'inkurikizi ku magara bijana, ikumira rishingiye ku gitsina, ikumira rishingiye ku kub'umuntu yarahawe ikindi gitsina hamwe n'igitsina umuntu yemera ko afise), igihugu umuntu aturukamwo (harimwo n'ubumenyi buke mu kuvuga icongereza), imyaka, ubumuga umuntu agendana, umugambwe canke ivyiyumviro vya politike, canke ku muntu ahabwa imfashanyo, aharanira canke aja ar'umunywanyi w'imigambi ifashishw'amahera, kubw'umwidondoro I wa Workforce Innovation and Opportunity Act, bishingiye ku ntambwe y'ubwenegihugu umuntu agezemwo canke ku kuba yaragiz'uruhara kuri buri mwidondoro wa I wa WIOA- Umugambi canke igikorwa gishigikirwa muvy'amahera.

Uhabwa imfashanyo ntafise uburenganzira bwo gukumira mu gice ic'arico cose mu bikurikira: gucagura uri bwemererwe, canke aronswa imfashanyo ku mugambi canke igikorwa co mu mwidondoro wa I wa WIOA; mu gutanga amahirwe muri wo, canke uburyo umuntu uwo ariwe wese afatwa ku vyerekeye, uwo mugambi canke igikorwa; canke mu gufata ingingo zijanye n'akazi mu buyobozi, canke mu bijanye n'uwo mugambi canke igikorwa.

Abahabwa imfashanyo bose na leta, bategerezwa gutera intambwe zigaragara mu gukurikirana neza ko guhanahana amakuru n'abantu bagendana ubumuga bigenda neza nk'uko bigenda bandi bantu bose. Ibi bisigura ko, mu gihe bisabwe kandi ata kiguzi kur'abo, abahabwa imfashanyo basabwa gutanga ubufasha bukwiriye ku batowe bagendana ubumuga.

**ICO GUKORA MU GIHE WIBAZA KO WAHUYE N'IKUMIRA**

Mu gihe wibaza ko wakumiriwe ku mugambi canke igikorwa gifashwe mu mugongo na WIOA mu mwidondoro wayo wa I, urashobora kwitwara mu gihe c'imisi itarenga 180 uhereye kw'igenekerezo igikorwa gikekwa ko ari ikumira cabereyeko wifashishije: Umukozi wa Equal Opportunity ahagarariy'uhabwa imfashanyo (canke umuntu yagenywe n'uhabwa imfashanyo kubw'ico gikorwa);

Christine Cassel, Operations Director
Department for Children and Families,
Commissioner's Office 280 State Drive, HC1 North, Waterbury, VT 05671-1080
802-241-0927
AHS.DCFConsumerConcerns@vermont.gov

CANKE: Indongozi nkuru, Civil Rights Center (CRC), U.S. Igisata c'akazi 200 Constitution Avenue NW, Room N-4123, Washington, DC 20210
canke ku buhinga bwa none nk'uko bisabwa ku rubuga rwa CRC kur www.dol.gov/crc.

Mu gihe witwaye ku ruhande rw'uhabwa imfashanyo, utegerezwa kurindira gushika uhabwa imfashanyo amenyesheje mu buryo bwanditse ingingo yanyuma yafashwe , canke gushika imisi 90 iheze ( bitewe n'ikinyarutse muri ivyo), imbere yo gutanga ikirego kuri Civil Rights Center (raba aho bakorera haruguru). Mu gihe uhabwa imfashanyo ataguhaye mu buryo bwanditse ingingo yanyuma yafashwe mu gihe kitarenze imisi 90 uhereye ku musi watangiyeko ikirego, urashobora gutanga ikirego kuri CRC imbere yo kuronswa iryo menyesha mu buryo bwanditse. Ariko, utegerezwa gutanga ikirego cawe ca CRC mu gihe c'imisi 30 y'igihe ntarengwa c'imisi 90 (mu yandi majambo, mu gihe c'imisi 120 inyuma y'igenekerezo watangiyeko ikirego cawe k'uhabwa imfashanyo). Uhabwa

imfashanyo aguhaye mu buryo bwanditse ingingo yanyuma yafashwe ku kirego cawe, ariko ukaba ntushimishijwe n’ingingo canke icafashwe, ushobora kwitwara kuri CRC. Utegerezwa gutanga ikirego cawe kuri CRC mu gihe c'imisi 30 uhereye kw’ igenekerezo waronkeyeko imenyesha ry'ingingo yanyuma yafashwe.

Igisata kijejwe akazi muri Vermont n’umukoresha n’utanga za seruvisi, aha amahirwe bose. Mu gihe ugendana ubumuga kandi ukeneye gufashwa ku bijanye n'aya makuru, usabwe kwakura kuri 7-1-1 wipfuza kwakura Vermont Relay Service. Usabwe kwakura kuri 802-241-0927 hanyuma ufyonde 0 kugira usabe guhabwa amakuru ku buntu mu bundi buryo, harimwo no gusobanurirwa mu rurimi wihitiyemwo.

VERMONT
AGENCY OF HUMAN SERVICES
DEPARTMENT FOR CHILDREN & FAMILIES